4° Kugira integuro y'inzandiko zerekana amafaranga asabwa kurihwa.

**Article 193**

Le service approvisionnement a notamment pour missions de :

1° Planifier et exécuter les marchés publics ;

2° Faire le décompte de payement des marchés ;

3° Etablir la fiche de consommation budgétaire.

**Ingingo ya 193**

Igisata kijejwe kugura ibikoresho gishinzwe imirimo nk'iyi ikurikira:

1° Kugira indinganizo no gushira mu ngiro ibikorwa bijanye n'uguhiganirwa amasoko ya Reta;

2° Guharura amafaranga arihwa abatsindiye amasoko;

3° Gutegura ifishi yerekana ingene amafaranga yategekanijwe yakoreshejwe.

**Article 194**

Le service comptabilité a pour missions de :

1° Exécuter les dépenses ;

2° Tenir la comptabilité.

**Ingingo ya 194**

Igisata kijejwe guharura amafaranga yinjira n'ayasohoka gishinzwe imirimo ikurikira:

1° Gusohora amafaranga agenewe ibikorwa;

2° Kuja kirandika amafaranga yinjira n'ayasohoka.

**Article 195**

Le Secrétariat a pour missions de:

1° Organiser la réception et la transmission du courrier ;

2° Tenir les registres du secrétariat ;

3° Rédiger des correspondances et saisir les différents rapports produits;

4° Accueillir et orienter les personnes désireuses d'être reçues en audience;

5° Recevoir et orienter les appels téléphoniques de l'extérieur ;

6° S'assurer de l'orientation du courrier entrant et sortant du secrétariat ;

7° Assurer le classement électronique et physique des documents ;

**Ingingo ya 195**

Ibiro vy'ubunyamabanga bishinzwe imirimo ikurikira :

1° Gutunganya ivyerekeye ukwakira n'ukurungika amakete ;

2° Kwuzuza ibitabu vy'ibiro vy'ubunyamabanga;

3° Kwandika amakete n'ivyegeranyo bitandukanye;

4° Kwakira abantu bipfuza guhabwa umubonano no kubarangira aho batumbera;

5° Kwitaba amaterefone ava hanze no kuyerekeza ku bo agenewe;

6° Gukurikirana ko amakete yinjira n'ayasohoka mu bunyamabanga ashika aho agenewe;

7° Kubika mu buhinga ngurukanabumenyi no mu mpapuro ivyanditswe;

8° Gérer les archives.

8° Gutunganya ububiko bw'inzandiko n'ibindi bibikwako inkuru.

### Paragraphe 3. Le Bureau Renseignement

### Agahimba ka 3. Ibiro bijejwe igendereza

**Article 196**

Le bureau renseignement a pour missions de:

1° tenir à jour les renseignements généraux;

2° rechercher le renseignement, prévenir et suivre toute forme de déstabilisation, de subversion et de criminalité sur toute l'étendue du territoire national;

3° faire le renseignement diplomatique interne et externe;

4° concevoir une stratégie de lutte contre le terrorisme, la subversion, la déstabilisation et toute forme de criminalité;

5° identifier et tenir à jour tous les milieux criminogènes;

6° proposer des programmes et thèmes pour les recyclages à l'endroit des policiers affectés dans les services de renseignement à tous les niveaux;

7° veiller à l'éthique, à la cohésion, au moral et au respect de la déontologie policière des membres de la Police Nationale du Burundi;

8° exploiter les rapports des causeries morales et préparer les directives y relatives;

9° centraliser et exploiter tous les rapports sur la sécurité en provenance des partenaires externes;

10° collaborer avec les autres services d'information et de renseignement actifs dans le domaine de la sécurité au niveau national, régional et international;

**Ingingo ya 196**

Ibiro bijejwe igendereza bishinzwe imirimo yo:

1° Gushira kugihe inkuru amakuru y'igendereza muri rusangi;

2° Kurondera inkuru , gukinga no gukurikirana ico cose cotuma umutekano uhungabana, imigumuko n'ubugizi bwa nabi mugihugu cose;

3° Kurondera amakuru ajanye n'ivyubuserukizi bw'ibihugu mugihugu hagati no hanze y"igihugu;

4° Gutegura uburyo burashe bwo kurondera inkuru zijanye n'iterabwoba canke ubundi bukozi bw'ikibi;

5° Kumenya no gushira kugihe ibibanza bikorerwamwo ubukozi bw'ikibi;

6° Gushikiriza indinganizo n"intonde z'inyigisho nkarishabwenge kuba Polisi barungitswe gukorera mu bisata vyose vy'ibiro bijejwe igendereza;

7° Gukurikirana ko akarangamutima, ugufatana munda, kwiyumvamwo akazi'n'iyubahirizwa ry'umwuga w'igiporisi bikurikizwa;

8° Gusorongora ivyegeranyo vyavuye mu biganiro v'abapolisi n'ababatwara be no gutegura intumbero zoca zitangwa;

9° Kwegeranya no gusorongora ivyegeranyo vyose kubijanye n'umutekano vyatanzwe n'abafatanyabikorwa;

10° Gukorana n'abandi bafise uruhara mu bijanye n'igendereza muvymutekano kugwego rw'igihugu, rw'akarere na mpuzamakungu;

11° centraliser et traiter les informations de police administrative et judiciaire en provenance des commissariats généraux et provinciaux qui ont une incidence sur le domaine de la sécurité;

12° établir et tenir à jour une cartographie des phénomènes criminels et des accidents de roulage ou de tout autre phénomène ayant une incidence sur la sécurité pour l'ensemble du territoire national;

13° concevoir un plan de classement et d'archivage, gérer et organiser l'archivage et réglementer l'accès et la consultation des archives de la Police Nationale du Burundi.

11° Kwegeranya no kukorera kunkuru zijanye n'iyubahirizwa ry'amategeko n'inyamiramabi zavuye muma komisariya makuru hamwe no muma komisariya y'intara zifise inkurikizi k' umutekano;

12° Gushiraho no gushira kugihe ikarata yerekana ibibanza bikunze gukorerwamwo ivyaha hamwe no kuberamwo impanuka zo mw'canke canke ibindi bintu bifise inkurikizi kumutekano mugihugu cose;

13° Gushiraho indinganizo yo gutondeka no kubika , gutunganya no gupanga ububiko bw'amadosiye ku gwego rw'Igiporisi no gutunganya ukungene ubwo bubiko bushikirwa no gukoresha ibiri mububiko.

**Article 197**

Le service chargé du renseignement et contre renseignement a pour missions de:

1° rechercher le renseignement et faire le contre-espionnage;

2° exploiter les comptes rendus des situations en provenance des commissariats provinciaux de police ou d'autres structures;

3° prévenir et suivre toute forme de déstabilisation et de subversion sur toute l'étendue du territoire national;

4° prévenir et identifier à temps toute forme de sollicitation des policiers par les politiciens;

5° proposer des mesures de sécurité du personnel et des installations névralgiques et stratégiques.

**Ingingo ya 197**

Igisata kijejwe igendereza n'uguhinyuza ivyavuye mw'igendereza gishinzwe imirimo yo:

1° kurondera inkuru no kugwanya abasumyi b'urusaku;

2° Gusorongora ivyegeranyo mumakomisariya y'igiporisi muntara no mubindi bisata;

3° Gutegura uburyo burashe bw'ugukinga imigumuko n'ihungabanywa ry'umutekano;

4° Gukinga no kurondera uburyo bwose abanyeporitike bakoresha mugukwegakwega abaporisi;

5° Gushikiriza ingingo zofatwa zerekeye ugukingira umutekano w'abakozi n'uw'inyubako z'inkoramutima kandi zihambaye cane.

**Article 198**

Le service en charge de coopération interne et externe a pour missions de:

1° faire le renseignement stratégique et tactique;

2° organiser l'échange de renseignement avec les autres polices;

3° faire le renseignement sur la criminalité transnationale organisée.

**Ingingo ya 198**

Igisata kijejwe ivyerekeye ugufashanya mu gihugu no hanze y'igihugu gishinzwe imirimo yo:

1° Gukora igendereza riciriye hagufi n'irihanitse;

2° Gutunganya ihanahana ry'amakuru n'ibindi biporisi;

3° Kurondera inkuru zijanye n'ubukozi bw'ikibi ndengambibe bw'imigwi yiyunze.

**Article 199**
Le service en charge des archives a pour missions de:

1° concevoir un plan de classement et de déclassement des renseignements;

2° tenir un bon classement physique et électronique des archives;

3° règlementer l'accès et la consultation des archives.

**Ingingo ya 199**
Igisata kijewe ububiko kijejwe imirimo yo:

1° Gushiraho indinganizo yo kubika no kubikura inkuru;

2° Gutunganya neza ububiko bw'inzandiko kumpapuro, mumashini n'ibindi bibikwako inkuru;

3° Gushiraho ama tegegeko agenga ingene ububiko bushikirwa n'ingene bukoreshwa.

**Article 200**
Le service chargé des statistiques et des rapports a pour missions de:

1° dresser les canevas et le plan de transmission des rapports;

2° collecter et centraliser les données statistiques de la criminalité;

3° exploiter les rapports et proposer des projets d'instructions au chef de bureau.

**Ingingo ya 200**
Igisatata c'ibiharuro n'amaroporo kijewe imirimo ikurikira:

1° Gushiraho indinganizo zisungwa mugutanga ma raporo;

2° Gutororokanya no gushira hamwe ibiharuro mfatirwako ku bukozi bw'ikibi;

3° Gusoronganya ama raporo no gutanga integuro z'intumbero umuku w'ibiro yotanga.

**Article 201**
Le service chargé de la collecte, de l'analyse et de l'exploitation a pour missions de:

1° collecter, analyser et exploiter les renseignements et donner la synthèse à l'autorité;

2° exploiter les rapports des causeries morales et en tirer les conclusions et proposer des recommandations;

3° dresser le rapport de sécurité hebdomadaire, mensuel, trimestriel, semestriel et annuel;

4° exploiter les boîtes à suggestion et donner le rapport à l'autorité.

**Ingingo ya 201**
Igisata kijejwe kwegeranya, kwihweza, gusorongora gishinzwe imirimo ikurikira:

1° kwegeranya, kwihweza, gusorongora ivyavuye mw'igendereza no gutanga impfunyapfunyo kubarongozi;

2° Gusorongora ivyegeranyo yavuye mumana y'aba porisi n'abarongozi babo kigaheza kigakuramwo ivyiyumviro nyamukuru kigatanga intumbero abarongozi botanga;

3° Kugira raporo y'ingene umutekano w'ifashe kw'iyinga , kukwezi , kumezi atatu no kumwaka;

4° Gusorongora ivyashizwe mudusandugu tw'ibisabwa no gutango raporo ku barongozi.

**Article 202**
Le secrétariat du bureau renseignement a pour missions de:

1° accueillir et orienter les personnes désireuses d'être reçues en audience par les responsables

**Ingingo ya 202**
Ibiro vy'ubunyamabanga bishinzwe imirimo yo:

1° Kwakira no kwereka abantu bipfuza kubonana y'ababarongoye ibiro vy'igendereza canke abandi

du bureau renseignement ou autre personnel;

2° recevoir et expédier les correspondances;

3° tenir les registres d'envoie et de réception des correspondances et les garder en archive;

4° classer les dossiers administratifs du bureau renseignement.

bakozi;

2° Kwakira no kurungika amakete;

3° Kwuzuza ibitabu vy'ibiro vy'ubunyamabanga no gutunganya ububiko;

4° Gutondeka amadosiye y'abakozi bo mubiro bijejwe igendereza.

**Paragraphe 4. Le Bureau opérations et entrainements**

**Article 203**
Le bureau opérations et entraînements a pour missions de:

1° concevoir des plans d'opérations et des stratégies de lutte contre la criminalité et le terrorisme;

2° préparer les instructions opérationnelles;

3° faire le suivi de la mise en œuvre des instructions opérationnelles;

4° concevoir et organiser des exercices d'entraînement de la Police Nationale du Burundi;

5° concevoir et organiser des exercices physiques et sportifs à la Police Nationale du Burundi;

6° déterminer et inventorier les équipements nécessaires pour innover la transmission à la Police Nationale du Burundi;

7° concevoir et suivre la coordination des opérations des commissariats et des unités spécialisées;

8° s'assurer de la mise en œuvre de la politique de police de proximité.

**Article 204**
Le service des opérations a pour missions de:

**Agahimba ka 4. Ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo**

**Ingingo ya 203**
Ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo bishinzwe yo:

1° Gushinga indinganizo z'ibikorwa vy'umutekano hamwe n'intumbero z'ibikorwa vyo gukinga ubugizi bwa nabi n'iterabwoba;

2° Gutegura intumbero z'ibikorwa vy'umutekano;

3° Gukurikiranira hafi ishirwa mungiro ry'intumbero z'ibikorwa vy'umutekano;

4° Gushinga no gutunganya ibikorwa vy'imyimenyerezo mugiporisi c'Uburundi;

5° Gutegura no gutunganya imyimenyerezo yo ngororamubiri no kunonora imitsi mu giporisi c'Uburundi;

6° gutomora no gushira kurutonde ibikoresho bikenewe mu gushira kugihe ivyihanahana ry'amakuru mu Giporis c'Uburudi;

7° Gutegura no gukurikira intumbero zitangwa zihabwa abajejwe umutekano muma Cmmissariats n'imirwi y'ubuhinga imyimenyerezo y'ukwinonora imitsi n'ibikorwa bijanye n'imico kama;

8° Kukurikirana ishirwamungiro rya poritique y'igiporisi cegereye abenegihugu.

**Ingingo ya 204**
Igisata kijejwe ibikorwa vy'umutekano gishinzwe:

1° mettre à jour les tableaux organiques de la Police Nationale du Burundi;

2° faire le suivi de l'exécution des ordres opérationnels de la Police Nationale du Burundi;

3° coordonner les services de permanence à la haute hiérarchie de la Police Nationale du Burundi;

4° constituer une base de données sur les opérations.

1° Gutunganya ivyubake vy'Igiporisi c'Uburundi;

2° Gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'amategeko agenga ibikorwa vy'umutekano vy'Igiporisi c'Uburundi;

3° Gutunganya ibikorwa vyo kurinda umutekano w'abakuriye kucicaro gikuru c'igiporisi c'Uburundi;

4° Gushiraho iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe kubikorwa vy'umutekano.

**Article 205**

Le service de transmission a pour missions de:

1° élaborer et contrôler la procédure radio;

2° organiser, protéger et entretenir les réseaux de transmissions statiques et mobiles;

3° programmer les séances de formation sur la procédure radio et les techniques de radio émetteur-récepteur;

4° réparer les postes de radios émetteur récepteur;

5° établir et tenir à jour une base de données sur les indicatifs opérationnels;

6° installer les antennes relais.

**Ingingo ya 205**

Igisata kijejwe uguhamagarana ku maradiyo gishinzwe imirimo yo:

1° Gushiraho no kugenzura imihora uko amakuru ahanahanwa kumaradiyo;

2° Gutunganya, gukingira no kubungabunga imihora yo guhamagarana ishinzwe mu kibanza canke ngendanwa;

3° Gutegura ingunga z'inyigisho kubijanye n'ikoresshwa ry'amaradio hamwe n'ubuhinga bujanye no kwakira no kurungika amakuru biciye ku maradiyo;

4° Gusanura amaradiyo akoreshwa mu kurungika no mu kwakira amakuru;

5° Gushiraho no kugumiza kugihe iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe kumihora iriko irakora;

6° Kwubaka ivyuma vyo kwherereza amakuru.

**Article 206**

Le service entraînements a pour missions de:

1° identifier les défis liés au manque de professionnalisme;

2° préparer et organiser des séances d'entrainement dans les structures de la Police Nationale du Burundi;

3° planifier et programmer des séances d'entrainement relatives au maintien et

**Ingingo ya 206**

Igisata kijejwe imyimenyerezo gishinzwe imirimo yo:

1° Kwerekana ibihengeri no kutamenya umwuga;

2° Gutegura no gutunganya ingunga z'imyimenyerezo mubisata vy'Igiporisi c'Uburundi;

3° Gutegura no gushira kukirangamisi ingunga z'inyigisho zerekeye kubungabunga amahoro n'umutekano n'ukurasa bafashanije n'ibiro bijejwe

rétablissement de l'ordre public et au tir en collaboration avec le bureau chargé de la formation;

4° faire le suivi-évaluation des entrainements et leur impact sur le professionnalisme de la Police Nationale du Burundi.

inyigisho;

4° gukurikirana no gusuzuma imyimenyerezo n'ico vyunguye kubunyamwuga bw'Igiporisi c'Uburundi; amasu yo kwinonora imitsi mubisatta bitandukaye vy'inkinono.

**Article 207**

Le service éducation physique et sports a pour missions de:

1° identifier les disciplines nécessaires pour l'innovation du sport ou l'entretien du corps;

2° identifier et rechercher le matériel nécessaire dans le domaine du sport;

3° déterminer le budget à allouer aux activités sportives;

4° organiser des activités relatives à l'éducation physique et au sport;

5° organiser des championnats et compétitions sportives dans diverses disciplines.

**Ingingo ya 207**

Igisata kijejwe inkino n'ukunonora imitsi gishinzwe:

1° kumenya ubwoko bw'inkino zikenewe muguteza imbere igisata c'inkino n'ukunonora imitsi;

2° kumenya no kurondera ibikoresho bikenewe mubijanye n'inkino;

3° gutegekanya uburyo bugenewe ibikorwa vy'inkino

4° gutunganya ibikorwa bijanye n'ukwinonora imitsi hamwe n'inkino;

5° gutunganya amahiganwa y'inkino mubisata bitandukanye.

**Article 208**

Le service chargé du suivi de la police de proximité a pour missions de:

1° faire le suivi de l'opérationnalisation de la police de proximité;

2° organiser des séances d'encadrement et de sensibilisation des partenaires de la Police Nationale du Burundi sur la police de proximité;

3° suivre l'opérationnalisation des comités mixtes de sécurité.

**Ingingo ya 208**

Igisata kijejwe gukurikirana igiporisi cegereye abanyagihugu kijejwe:

1° Gukurikirana ishirwa mungiro ry'umugambi wo w'igiporisi cegereye abanyagihugu;

2° Gutunganya ingunga zo gukurikirana no kumenyesha abafashanya n'Igiporisi c'Uburundi kubijanye n'Igiporisi cegereye abanyagihugu;

3° Gukurikirana ishirwa mungiro ry'amakomite ahurikiyemwo bose y'umutekano.

**Article 209**

Le secrétariat du bureau opérations et entraînements a pour missions de:

1° accueillir et orienter les personnes désireuses d'être reçues en audience par les responsables du bureau opérations et entraînements ou autre personnel;

**Ingingo ya 209**

Ibiro vy'ubunyamabanga vy'ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo bishinzwe:

1° Kwakira abantu bipfuza guhabwa umubonano n'abarongozi b'ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo no kubereka iyo batumbera;

2° recevoir et expédier les correspondances;

3° Tenir les registres d'envoie et de réception des correspondances et les garder en archive;

4° classer les dossiers administratifs du bureau opérations et entraînements.

2° Kwakira no kurungika amakete;

3° Kwuzuza ibitabu vy'ibiro vy'ubunyamabanga; no gutunganya ububiko;

4° Gutondeka amadosiye y'abakozi b'ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo.

## Paragraphe 5. Le Bureau Logistique

### Article 210

Le bureau logistique a pour missions de:

1° élaborer les spécifications techniques des équipements et matériels à commander;

2° proposer les commandes;

3° assurer la réception, la gestion des stocks et la distribution des vivres, du matériel et des consommables pour tous les commissariats et unités de police;

4° assurer la gestion et la sécurité de l'armement de la Police Nationale du Burundi;

5° assurer la gestion du charroi;

6° assurer la gestion des domaines et infrastructures de la Police Nationale du Burundi;

7° transmettre les rapports de distribution à l'échelon supérieur.

## Agahimba 5. Ibiro bijejwe ivyankenerwa

### Ingingo ya 210

Ibiro bijejwe ivyankenerwa bishinzwe imirimo yo:

1° Gutegura indondoro buhinga y'ibikoresho biramba n'ibindi bikoresho vyo kugura;

2° Kwerekana ivyogurwa;

3° Gutunganya iyakirwa, gutunganya ububiko no gutanga imfungurwa, ibikoresho vyo mubiro n'ibibindi bikoresho ku ma komisariat yose n'imirwi y'igiporisi yose;

4° Gutunganya ikoreshwa hamwe n'umutekano w'ibirwanisho vy'Igiporisi c'Uburundi;

5° Gutunganya ibijanye n'ingendeshwa;

6° Gutunganya ikoreshwa ry'amatongo n'inyubakwa vy'Igiporisi c'Uburundi;

7° Gutanga amaraporo y'itangwa ry'ibikoresho kugwego rukurira ico gisata.

### Article 211

Le service gestion des stocks a pour missions de:

1° réceptionner dans les magasins, des équipements, des vivres et tout le matériel destiné à la Police Nationale du Burundi;

2° distribuer les équipements, vivres et tout le matériel suivant le plan de distribution de l'Inspection Générale de la Police Nationale du Burundi;

3° tenir à jour la situation des stocks dans les magasins des commissariats généraux et

### Ingingo ya 211

Igisata kijejwe gutunganya ububiko gishinzwe imirimo yo:

1° Kwakira mu bubiko ibikoresho biramba, infungurwa hamwe n'ibindi bikoresho vyose bigenewe Igiporisi c'Uburundi;

2° Gutanga ibikoresho biramba, ibifungurwa n'ibindi bikoresho vyose hisunzwe indinganizo yo kubitanga y'Ubugenduzi bukuru bw' Igiporisi c'Uburundi;

3° Gushira kugihe uko ububiko bw'amakomisariya makuru n'ayo mu ntara bwifashe.

provinciaux.

**Article 212**

Le service transport et maintenance a pour missions de:

1° faciliter les unités dans le transport du personnel et des ravitaillements;

2° organiser les dépannages du charroi en panne;

3° assurer l'entretien et réparations du charroi de la Police Nationale du Burundi;

4° organiser et superviser la formation et le recyclage des conducteurs des véhicules de la Police Nationale du Burundi;

5° faire le suivi des dossiers des accidents de roulage des véhicules de la police.

**Ingingo ya 212**

Igisata kijejwe gutwara abantu no kubungabunga ingendeshwa gishinzwe imirimo yo:

1° Kworohereza imigwi y'abaporisi muvyerekeye kwunguruza abakozi n'ibibagenewe;

2° Gutunganya ibijanye no gukura imodoka aho zapfiriye;

3° Gutunganya ibungabungwa n'ikorwa ry'ingendeshwa z'igiporisi c'Uburundi;

4° Gutunganya no kuyobora inyigisho n'ugukarihiriza ubwenge abagendesha imiduga y'Igiporisi c'Uburundi;

5° Gukurikirana amadosiye y'amasanganya yo mw'ibarabara yerekeye ingendeshwa z'Igiporisi.

**Article 213**

Le service armement, munitions et matériels optiques a pour missions de:

1° assurer la gestion quotidienne des magasins d'armement et matériels optiques;

2° assurer la gestion des ateliers de réparation des armes et la maintenance des matériels optiques;

3° assurer la formation des tireurs d'élite et des armuriers.

**Ingingo ya 213**

Igisata kijejwe ibirwanisho, amasasu, ibikoreshwa nk'amasasu hamwe n'ibindi bikoresho bifasha mu kubona kure no mu gukingira amaso gishinzwe:

1° Gutunganya kumusi kumusi ivyerekeye ububiko bw'ibirwanisho n'ibikoresho bifasha mu kubona kure no mu gukingira amaso;

2° Kubungabunga inganda zinagura ibirwanisho zikongera zikabungabunga ibikoresho bifasha mu kubona kure no mu gukingira amaso;

3° Gutunganya inyigisho zihabwa abarashi kakaruhariwe hamwe n'abajejwe ububiko bw'inkoho.

**Article 214**

Le service gestion des domaines et infrastructures a pour missions de:

1° tenir à jour la base des données des domaines et infrastructures de la Police Nationale du Burundi;

2° protéger et cadrer les domaines appartenant à la Police Nationale du Burundi;

**Ingingo ya 214**

Igisata kijejwe amatongo n'inyubakwa gishinzwe:

1° Gushira kugihe iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe bijanye n'amatongo n'inyubakwa vy'Igiporisi c'Uburundi;

2° Gukingira no gupimisha amatongo yegukira Igiporisi;

3° entretenir les locaux et infrastructures de la Police Nationale du Burundi;

4° mettre en place un plan d'acquisition des domaines appartenant à la Police Nationale du Burundi;

5° procéder à l'enregistrement de tous les domaines de la Police Nationale du Burundi;

6° organiser la formation et proposer l'affectation des techniciens de maintenance des infrastructures;

7° faire le suivi de l'utilisation de l'eau et électricité.

3° Kubungabunga ibibanza n'inyubakwa vy'Igiporisi c' Uburundi;

4° Gushiraho indinganizo y'Igiporisi c'Uburundi yo kuronka amatongo acegukira;

5° Kwandikisha amatongo yose y'Igiporisi c'Uburundi;

6° Kuringaniza inyigisho no gusaba irungikwa ry'abahinga bo kubungabunga inyubakwa aho bakorera;

7° Gukurikirana ikoreshwa ry'amazi n'amatara.

**Article 215**
Le secrétariat du bureau logistique a pour missions de:

1° accueillir et orienter les personnes désireuses d'être reçues en audience par les responsables du bureau logistique ou autre personnel;

2° recevoir et expédier les correspondances;

3° tenir les registres d'envoie et de réception des correspondances et les garder en archive;

4° classer les dossiers administratifs du bureau logistique.

**Ingingo ya 215**
Ibiro vy'ubunyamabanga bw'ibiro bijejwe ivyankerwa bishinzwe imirimo nk'iyi ikurikira:

1° Kwakira abantu bipfuza imibonano n'abarongoye ibiro canke abandi bakozi no kubereka iyo batumbera;

2° Kwakira no kurungika amakete;

3° Kwuzuza ibitabu vy'ibiro vy'ubunyamabanga; no gutunganya ububiko;

4° Gutondeka amadosiye y'abakozi y'igisata kijejwe iperereza.

**Paragraphe 6. Le bureau formation**

**Article 216**
Le bureau formation a pour missions de:

1° concevoir, planifier et mettre en œuvre les politiques et les stratégies de formation initiale, continue, de promotion et spécialisée pour les membres de la Police Nationale du Burundi;

2° coordonner les structures de formation;

3° assurer le suivi et l'évaluation des formations;

4° participer au recrutement des candidats officiers, sous-officiers de police et agents;

**Agahimba ka 6. ibiro vy'inyigisho**

**Ingingo ya 216**
Ibiro bijejwe inyigisho bishinzwe imirimo yo:

1° Gushinga, gushira kurutonde no gushira mungiro imigabo n'imigambi y'inyigisho yagutse hamwe n'ibitabu vy'ingene yoja mungiro kuvyigwa vy'intango, ibibandanya, ivyo kuduzwa mukazi hamwe n'inyigisho zihariwe m'ubuhinga ku baporisi;

2° Gushira kumurongo ibisata bijejwe inyigisho;

3° Gukurikirana no gusuzuma inyigsho;

4° Guterera mukwinjiza abaporisi b'intwazangabo, ibisongerezi n'abaporisi batobato;

5° veiller au bon fonctionnement des structures de formation.

**Article 217**
Le service chargé de l'administration et de la logistique a pour missions de:

1° gérer et suivre les dossiers du personnel;

2° entretenir et assurer la maintenance des bâtiments et équipements;

3° approvisionner et distribuer le matériel de bureau et autres équipements;

4° gérer et entretenir le charroi.

**Article 218**
Le service chargé des cours et programmes d'enseignement est chargé de:

1° élaborer des programmes de formation initiale et continue pour les structures de formation;

2° organiser la formation des formateurs;

3° proposer des réformes d'enseignement en vue d'une meilleure adaptation.

**Article 219**
Le service chargé des stages et de la formation continue a pour mission de:

1° Planifier des stages au pays et à l'étranger;

2° Élaborer des programmes de formation continue dans les différentes structures de formation;

3° Planifier des formations continues;

4° Organiser des séances de restitution et de capitalisation des formations acquises lors des stages.

**Article 220**
Le service chargé de la recherche et de la documentation pédagogique a pour missions de:

1° rassembler la documentation dans le but de

5° Gukurikirana ko ibisata bijejwe inyigisho bikora neza.

**Ingingo ya 217**
Igisatata kijewe intwaro n'ivyankenerwa kijejwe imirimo yo:

1° Gutunganya no gukurikirana amadosiye y'abakozi;

2° Kubungabunga no gukurikirana inyubakwa n'ibikoresho biramba;

3° Kuronsa no gutanga ibikiresho vyo mubiro;

4° Gutunganya no kubungabunga ingendeshwa.

**Ingingo ya 218**
Igisata kijejwe ivyigwa n'indinganizo zo kwigisha kijejwe:

1° Gutegura indinganizo z'inyigisho z'intango be n'izibandanya mu bisata bijejwe inyigisho;

2° Gutegura inyigisho z'abajewe kwigisha abandi;

3° Gutanga ivyohinkuka mugutanga ubumenyi kugira habe ukujana n'ibihe.

**Ingingo ya 219**
Igisata kijejwe ivyo kwimenyereza akazi no gukarisha ubwenge na ntaryo gishinzwe

1° gutegura ivyo kwimenyereza y'akazi mugihugu no hanze;

2° gutegura imigambi y'inyigisho na ntaryo mubisata imirimo ikurikira:bitandukanye vy'inyigisho;

3° kugira indinganizo z'inyigisho na ntaryo;

4° gutunganya ibishingo vy'ukumenyesha inyigisho zaronswe no kuziboneraho mubikorwa.

**Ingingo ya 220**
Igisata kijejwe ubushakashatsi n'ibitabo mfashanyigisho gishinzwe imirimo ikurikira:

1° kwegeranya ibitabo n'izindi nyandiko

produire des supports pédagogiques pour les structures de formation;

2° promouvoir la recherche scientifique pour le renforcement des capacités et créer des partenariats avec d'autres structures de formation;

3° collecter les textes législatifs, réglementaires et jurisprudentiels ainsi que d'autres documents pouvant servir de référence en matière de sécurité;

4° assurer la gestion de la bibliothèque et animer le centre de documentation pédagogique par des conférences-débats, des expositions relatives à la sécurité;

5° produire des affiches, revues, publications, bulletins, dépliants pour le public en général et pour les policiers en particuliers.

**Article 221**

Le service chargé du suivi-évaluation a pour missions de:

1° suivre et évaluer les activités de structures des formations initiales et continues;

2° évaluer les activités des formations;

3° évaluer les stagiaires;

4° évaluer l'impact sur terrain après les activités de formation.

**Article 222**

Le secrétariat du bureau formation a pour missions de:

1° accueillir et orienter les personnes désireuses d'être reçues en audience par les responsables du bureau formation ou autre personnel;

2° recevoir et expédier les correspondances;

3° tenir les registres d'envoie et de réception des correspondances et les garder en archive;

muntumbero yo kuronkera ibikoresho mfashanyigisho ibisata vy'inyigisho;

2° guteza imbere ubushakashatsi kugira ubumenyi bwiyongere n'ugukorana n'ibindi bisata vy'inyigisho;

3° kwegeranya amategeko, amabwirizwa n'imanza zaciwe hamwe n'ibindi vyanditswe vyose bishobora gufatirwako mubijanye n'umutekano;

4° gutunganya ivyumba vyo gusomeramwo ibitabu no kuremesha ibigo vy'ubusomyi mfashanyigisho bafatiye kumanama yo guhanahana ivyiyumviro, amahayanishwa mubijanye n'umutekano;

5° gukora amafishi, inyandiko, ivyatangajwe, ibinyamakuru, n'ibindi bigenewe kumenyeshwa besnhi muri rusangi na cane cane abaporisi.

**Ingingo ya 221**

Igisata kijejwe ikurikiranwa n'isuzuma kijejwe imirimo ikurikira;

1° gukurikirana no gusuzuma ibikorwa vy'ibisata vy'inyigisho z'intango;

2° gusuzuma ibikorwa vy'inyigisho;

3° gusuzuma abimenyereza akazi;

4° gusuzuma ico inyigisho zamaze mukazi.

**Ingingo ya 222**

Ibiro vy'ubunyamabanga bw'ibiro bijejwe ivyankerwa bishinzwe imirimo nk'iyi ikurikira:

1° Kwakira abantu bipfuza imibonano n'abarongoye ibiro canke abandi bakozi no kubereka iyo batumbera;

2° Kwakira no kurungika amakete;

3° Kwuzuza ibitabu vy'ibiro vy'ubunyamabanga amakete n'amadosiye yinyjira n'ayasohoka no

4° classer les dossiers administratifs du bureau formation.

gutunganya ububiko;

4° Gutondeka amadosiye y'abakozi y'ibiro bijejwe inyigisho.

**Article 223**
Les structures de formation ont pour missions de:

1° assurer la formation des sous-officiers de police pour l'Ecole des Sous Officiesr de Police;

2° assurer la formation des agents de police pour les Centres d'Instruction;

3° assurer la formation des candidats au déploiement en missions de maintien de la paix pour le Centre de Formation pour les Opérations au maintien de Paix.

**Ingingo ya 223**
Ibisata bijejwe inyigisho bishinzwe imirimo yo:

1° Gutanga inyigisho kubisongerezi vy'intwazangabo mw'ishure ry'ibisongerezi vy'intwanzangabo;

2° Gutanga inyigisho ku ba porisi batobato mu bibanza bitangirwamwo izo nyigisho;

3° Gutanga inyigisho kubitegurira kuja mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro n'umutekano mubindi bihugu.

**Paragraphe 7. Le Bureau Etudes et Planification Stratégique**

**Article 224**
Le bureau études et planification stratégique a pour missions de:

1° concevoir, suivre et évaluer le plan stratégique de la Police Nationale du Burundi;

2° coordonner la conception des plans d'actions de la Police Nationale du Burundi;

3° coordonner l'élaboration et la mise en œuvre du plan de développement de la Police Nationale du Burundi;

4° coordonner la conception et la gestion des projets de la Police Nationale du Burundi;

5° assurer la coordination des partenaires;

6° faire le suivi-évaluation de la mise en œuvre des plans d'actions de la Police Nationale du Burundi;

7° tenir une base de données sur la gestion des projets et programmes de la Police Nationale du

**Agace ka 7. Ibiro bijejwe Ivyigwa n'ugutegura Imigambi ngenangendo**

**Ingingo ya 224**
Ibiro bijejwe Ivyigwa n'ugutegura Imigambi ngenangendo bishinzwe imirimo yo:

1° Gutegura, gukurikirana no gusuzuma umugambi ngenangendo w'Igiporisi c'Uburundi;

2° Kurongora ishirwaho ry' indinganizo z'izimigambi y'ibikorwa vy'Igiporisi c'Uburundi;

3° Guhagararira itegurwa n'ishirwa mungiro ry'integuro y'ibikorwa vy'iterambere mu Giporisi c'Uburundi;

4° Guhagararira ishigwaho ry'imigambi y'iterambere yerekeye ineza ya bose mu Giporisi c'Uburundi;

5° Kuroranisha ibikorwa vy'abafatanyabikorwa;

6° Gukurikirana no gusuzuma ishirwa mu ngiro ry'indinganizo z'ibikorwa vy'Igiporisi c'Uburundi;

7° Kugumiza kugihe iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe bijanye n'itunganywa ry"imigambi y'iterambere

Burundi, la documentation et l'archivage;

8° élaborer les modules et former des cadres de la Police Nationale du Burundi en planification.

yerekeye ineza ya bose hamwe n'imigambi yo ku myaka myinshi mu Giporisi c'Ub'urundi;

8° Gutegura ibitabu vy'inyigisho hamwe no kwigisha abarongozi b'Igiporisi kubijanye no gutegura imigambi ibikenewe mu bijanye n'inyigisho.

**Article 225**

Le service de l'analyse et planification stratégique a pour missions de:

1° développer les outils de planification au sein de la Police Nationale du Burundi;

2° identifier les défis et proposer des plans de développement de la Police Nationale du Burundi;

3° analyser les besoins en planification stratégique à la Police Nationale du Burundi;

4° faire le suivi de la conception des plans d'actions de la Police Nationale du Burundi;

5° participer à l'élaboration du plan de développement de la Police Nationale du Burundi;

6° participer à la révision et l'actualisation des politiques et cadres légaux de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 225**

Igisata kijejwe gusuzuma no gushiraho integuro y'ingene ihangiro ry'imigambi y'Igiporisi yoshikwako kijejwe imirimo yo:

1° Gushiraho ibitabu vy'imigambi mu Giporisi c'Uburundi;

2° Kuraba intambamyi zibuza ishikwako ry'imigambi no gushikiriza imigambi y'iterambere mu Giporisi c'Uburundi;

3° Gusuzuma ibikenewe mw'ishiwaho ry'imigambi ngengangendo y'Igiporisi c'Uburundi;.

4° Gukurikirana ishirwaho y'integuro y'ishirwa mungiro ry'ibikorwa vy'Igiporisi c'Uburundi;

5° Kugira uruhara mu bijanye n'inshirwaho ry'imigambi y'iterambere mu Giporisi c'Uburundi;

6° Gutanga intererano mw'isubirwamwo n'ishirwakugihe ry'amategeto atanga intumbero hamwe n'ayandi mategeko atunganya Igiporisi c'Uburundi.

**Article 226**

Le service gestion des projets a pour missions de:

1° faire l'état des lieux et identifier les défis de développement de la Police Nationale du Burundi;

2° identifier les projets de mitigation des défis et de développement de la Police Nationale du Burundi;

3° suivre l'élaboration des projets de développement des policiers;

**Ingingo ya 226**

Igisata kijejwe itunganywa y'imigambi gishinzwe imirimo yo:

1° Kwerekana uko ibintu vyifashe no gutororokanya intambamyi z'iterambera mu Giporisi c'Uburundi;

2° Gushiraho imigambi irashe yo gukuraho intambamyi kw'iterambere ry'Igiporisi c'Uburundi;

3° Gukurikirana ishirwaho ry'imigambi y'iterambere ry'abapolisi;

4° suivre l'élaboration des plans opérationnels de mis en œuvre des plans stratégiques;

5° constituer une base de données de gestion des projets.

4° Gukurikirana ishirwaho ry'indinganizo z'ishirwa mungiro ry'ingene Ihangiro ry'Igigiporisi rizoja mungiro;

5° Gushiraho iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe bijanye n'itunganywa ry'imigambi.

Article 227

Le service coordination des partenaires a pour missions de:

1° identifier les partenaires techniques et financiers pour le financement des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi;

2° faciliter la mobilisation des ressources pour les projets d'investissement;

3° assurer la cartographie des partenaires et des projets;

4° organiser les tables rondes des partenaires;

5° constituer une base de données des partenaires.

Ingingo ya 227

Igisata kijejwe kuroranisha abafatanyabikorwa kijejwe imirimo yo:

1° Kurondera abafatanyabikorwa mu vy'ubuhinga no muvy'amafaranga kugira baterere mu migambi y'Igiporisi c'Uburundi;

2° Kworohereza mw'ironderwa ry'uburyo bwo gukora imigambi y'iterambere;

3° Gukora ikarata y'imigambi n'abafatanyabikorwa;

4° Gutunganya amanama y'abafatanyabikorwa;

5° Gushiraho iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe kubafatanyabikorwa.

Article 228

Le service suivi et évaluation a pour missions de:

1° élaborer des guides de suivi et évaluation des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi;

2° identifier les défis de la mise en œuvre des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi;

3° suivre la mise en œuvre des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi;

4° évaluer la performance et l'impact des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi;

5° faire les rapports périodiques de mise en œuvre des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi;

6° constituer une base de données sur le suivi

Ingingo ya 228

Igisata kijejwe kugukurikirana no gusuzuma ivyaranguwe kijejwe imirimo yo:

1° Gushiraho ivyisungwa mugukurikirana no gusuzuma ishirwa mungiro ry'imigambi y'Igiporisi c'Uburundi;

2° Kuraba intambamyi zibuza ishirwa mungiro ry'imigambi y'Igiporisi c'Uburundi;

3° Gukurikirana ishirwa mungiro ry'imigambi y'Igiporisi c'Uburundi;

4° Gusuzuma umusaruro hamwe n'ico imigambi yamaze kugiporisi c'Uburundi;

5° Gutanga ivyegeranyo kumyanya itandukanye k'ukungene imigambi y'Igiporisi c'Uburundi iriko irashirwa mungiro;

6° Gushiraho iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe kubijanye n'ugukurikirana no gusuzuma imigambi

évaluation des projets et programmes de la Police Nationale du Burundi.

**Article 229**

Le service chargé de la base de données, de la documentation et des archives a pour missions de:

1° concevoir un plan de classement et de déclassement des documents de la Police Nationale du Burundi;

2° tenir un bon classement des archives;

3° règlementer l'accès aux archives et leur consultation;

4° constituer une base de données sur les projets et programmes de la Police Nationale du Burundi.

**Article 230**

Le secrétariat du bureau études et planification stratégique a pour missions de:

1° accueillir et orienter les personnes désireuses d'être reçues en audience par les responsables du bureau études et planification stratégique ou autre personnel;

2° recevoir et expédier les correspondances;

3° tenir les registres d'envoie et de réception des correspondances et les garder en archive;

4° classer les dossiers administratifs du bureau études et planification stratégique.

**Paragraphe 8. Le Bureau Informatique**

**Article 231**

Le bureau informatique a pour missions de:

1° concevoir et assurer le schéma directeur d'informatisation de la Police Nationale du Burundi;

y'Igiporisi c'Uburundi.

**Ingingo ya 229**

Igisata kijejwe Gutunganya iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe, kunagura ubwenge hamwe n'ububiko kijejwe imirimo yo:

1° Gushiraho integuro yukungene amadosiye y'igiporisi abikwa n'ingene abikurwa;

2° Gutunganya ibikwa ry'amadosiye yaheze gukorwa;

3° Gushiraho amategeko y'ukungene amadosiye ari mububiko atorwa n'ingene akoreshwa;

4° Gushiraho iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe kubijanye n'imigambi y'iterambere hamwe n'imigambi yo kumyaka myinshi y'Igiporisi.

**Ingingo ya 230**

Ibiro vy'ubunyamabanga bw'ibiro bijejwe Ivyigwa n'ugutegura Imigambi ngenangendo bijejwe imirimo yo:

1° Kwakira abantu bipfuza imibonano n'abarongoye ibiro canke abandi bakozi no kubereka iyo batumbera;

2° Kwakira no kurungika amakete;

3° Kwuzuza ibitabu vy'ukurungika n'ukwakira amakete no kubibika;

4° Gutondeka amadosiye y'abakozi b'ibiro bijejwe Ivyigwa n'ugutegura Imigambi ngenangendo.

**Agace ka 8. Ibiro bijejwe ubuhinga ngurukana bumenyi**

**Ingingo ya 231**

Ibiro bijejwe ubuhinga ngurukanabumenyi bijejwe imirimo yo:

1° Gushiraho no gukurikirana integuro ngendegwako y'ubuhinga ngurukana bumenyi mu Giporisi c'Uburundi;

2° concevoir, développer, gérer et administrer les bases de données de la Police Nationale du Burundi;

3° administrer et gérer les réseaux informatiques et les sites web de la Police la Police Nationale du Burundi; Nationale du Burundi;

4° gérer les systèmes de messageries et téléphonies IP de la Police Nationale du Burundi;

5° former le personnel de la Police Nationale du Burundi en informatique en l'adaptant à l'évolution des technologies de l'information et de la communication;

6° maintenir en bon état de fonctionnement le parc informatique de la Police Nationale du Burundi;

7° harmoniser et rentabiliser les ressources informatiques de la Police Nationale du Burundi;

8° gérer et maintenir les serveurs de la Police Nationale du Burundi;

9° assurer l'interconnexion des services de la Police Nationale du Burundi;

10° assurer le suivi des projets informatiques de la Police Nationale du Burundi;

11° installer, contrôler et analyser les images des systèmes caméras de surveillance locale, routière et des postes frontières;

12° assurer le suivi du fonctionnement des caméras de surveillance;

13° élaborer et contrôler la procédure radio dans les serveurs de la Police Nationale du Burundi;

14° entretenir les réseaux de transmission statique et mobile.

2° Gushiraho no gutuganya iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe mu Giporisi c'Uburundi;

3° Kurongora no gutunganya imihora ngurukanabumenyi n'urumbuga mvajuru z'Igiporisi;

4° Kutunganya uburyo bwuguhana amakuru n'ama terefone ya IP y'Igiporisi;

5° Guha inyigisho abakozi b'Igiporisi mubijane n'ubuhinga ngurukana bumenyi mukuburoranisha n'iterambere ry'ubuhinga ngurukana bumenyi no hanahana amakuru;

6° Kubungabunga ibikoresho vy'ubuhinga ngurukana bumenyi v'yigiporisi kugira bigumame muburyo bwiza bwo gukora;

7° Kuringanisha no kuvyaza umusaruro uburyo bwo mubuhinga ngurukana bumenyi mu Giporisi;

8° Gutunganya no kubungabunga imihora ngurkanabumenyi y'Igiporisi;

9° Gushiraho uruhererekane rw'imihora mubisata vy'Igiporisi c'Uburundi;

10° Gukurikirana imigambi y'ubuhinga ngurukana bumenyi;

11° Gushinga gukurikirana no kwihweza amasanamu atangwa n'ivyuma bifata amasanamu kubuzi, ku mabarabara no ku mbibe z'igihugu;

12° Gukurikirana ingene ivyuma bifata amasanamu bikora;

13° Gutegura no gukurikirana ikurikizwa ry'integuro y'ingene amaradiyo akoreshwa mumihora ngurukana bumenyi y'Igiporisi c'Uburundi;

14° Gufata neza imihora yo guhanahana amakuru itava aho iri hamwe na ngendanwa.

**Article 232**
Le service administration et logistique a pour missions de:

1° gérer les dossiers administratifs du personnel;

2° exploiter les renseignements administratifs;

3° faire le suivi des dossiers disciplinaires;

4° assurer l'approvisionnement du stock de l'atelier du bureau informatique en matériels informatiques et systèmes.

**Ingingo ya 232**
Igisatata kijewe intwaro n'ivyankenerwa kijejwe imirimo yo:

1° Gutunganya no gukurikirana amadosiye y'abakozi;

2° Gusorongora amakuru yerekeye amadosiye y'abakozi;

3° Gukurikirana amadosiye y'inyifato zitabereye z'abakozi;

4° Gushingura ibikoresho vya nkenerwa mububiko bw'uruganda rw'ibiro bijejwe ubuhinga ngurukana bumenyi.

**Article 233**
Le service réseau informatique, messagerie et téléphonie IP ou Internet Protocol a pour missions de:

1° définir les programmes et politiques pour une bonne administration du réseau et des systèmes informatiques;

2° concevoir et mettre en place un intranet au sein de la Police Nationale du Burundi;

3° assurer une connexion internet et intranet de la Police Nationale du Burundi;

4° assurer le bon fonctionnement de l'infrastructure réseau;

5° définir la politique du réseau téléphonique de la Police Nationale du Burundi;

6° assurer la surveillance des services de la Police Nationale du Burundi par caméra.

**Ingingo ya 233**
Igisata kijejwe imihora ngurukanabumenyi, uburyo bw'ukurungikiranira ubutumwa n'ubujanye na terefone ngendanwa IP kijejwe imirimo yo:

1° Gutomora indinganizo n'imigambi vyisungwa mu gukoresha imihora n'ubuhinga ngurukanabumenyi;

2° Kwiyumvira no gushiraho imihora ngurukanabumenyi mu Giporisi c'Uburundi;

3° Gutunganya neza imihora y'ubuhinga ngurukanabumenyi n'imbuga mvajuru;

4° Gucungera ko inyubakwa z'ubuhinga ngurukanabumenyi zikora neza;

5° Gutomora imigambi y'ikoreshwa ry'urubuga yagiro gw'Igiporisi c'Uburundi;

6° Gucungera ibisata vy'Igiporisi c'Uburundi hakoreshejwe ivyuma bifata amasanamu.

**Article 234**
Le service maintenance, réparation et formation a pour missions de:

1° assurer la maintenance et la réparation des matériels informatiques de la Police Nationale du Burundi;

2° garantir le bon fonctionnement des logiciels

**Ingingo ya 234**
Igisata kijejwe kubungabunga, gusanura n'inyigisho gishinzwe imirimo yo:

1° Kubungabunga n'ugusanura ibikoresho vyo mu buhinga ngurukanabumenyi vy'Igiporisi c'Uburundi;

2° Kwitwararika ko amarojisiyeri ajanye n'ubuhinga

informatiques de la Police Nationale du Burundi;

3° proposer et diriger des formations en informatique.

bwa none mu Giporisi c'Uburundi akora neza;

3° Kwerekana no kurongora inyigisho nkarishabwenge mubijanye n'ubuhinga ngurukana bumenyi.

**Article 235**

Le service administration de la base de données et gestion des sites web a pour missions de:

1° assurer l'administration du système d'information;

2° assurer le bon fonctionnement du site web de la Police Nationale du Burundi;

3° assurer la structuration des données complexes;

4° assurer la confidentialité des données;

5° concevoir et réaliser les sites d'informations de la Police Nationale du Burundi;

6° sécuriser les applications web.

**Ingingo ya 235**

Igisata kijejwe gutunganya ibiharuro mfatirwako vyatororokanijwe n'imbuga ngurukanabumenyi kijejwe imirimo yo:

1° Gutunganya uburyo bwo guhanahana amakuru;

2° Gutunganya ikora neza ry'urubuga mvajuru rw'Igiporisi c'Uburundi;

3° kuroranya ivyatororokanijwe bivuye ahatandukanye;

4° Kugumiza mw'ibanga ibiharuro biba vyatanzwe;

5° Gutegura no gushira mungiro imbuga z'amakuru mu Giporisi c'Uburundi;

6° Gukingira urubuga mvajuru.

**Article 236**

Le service intelligence artificielle a pour missions de

1° assurer la résolution des problèmes complexes;

2° assurer la reconnaissance des formes;

3° assurer la sécurité informatique et détection d'intrusions;

4° assurer la représentation des connaissances.

**Ingingo ya 236**

Igisata kijewe ubwenge ncurano kijejwe imirimo yo:

1° Gutora inyishu z'ibibazo bigoye;

2° Gutunganya iyemerwa ry'amashusho;

3° Kutunganya umutekano w'ubuhinga ngurukana bumenyi hamwe n'ugutata abasumyi b'urusaku;

4° Gutegekanya iserukirwa ry'ubumenyi.

**Article 237**

Le service transmission radio a pour missions de:

1° établir et tenir à jour une base de données sur les indicatifs opérationnels;

2° installer les antennes relais;

3° élaborer et contrôler la procédure radio;

4° réparer les postes radios émetteurs récepteurs;

**Ingingo ya 237**

Igisata kijejwe ihanahanwa ry'amakuru kumaradiyo y'Igiporisi kijejwe imirimo yo:

1° Gushiraho no gushira kugihe iyegenirizo ry' imyidondoro yo guhamagarana kumaradiyo;

2° Gushinga iminara yo guhanahana amakuru;

3° Gushiraho no gucungera ko ikoreshwa ry'amaradiyo rikurikiza amatageko yabigenewe;

4° Gusanura amaradiyo atanga akongera akakira amakuru;

5° installer et réparer les postes radios émetteurs-récepteurs dans les véhicules de Police et les bureaux;

6° crypter et décrypter les postes radios émetteurs-récepteurs en cas de besoin.

Ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo bitwarwa n'umukuru w'ibiro yunganiwe n'icegera c'umukuru w'ibiro, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi. Abo bakuru b'ibiro bakora bisunze amategeko bahabwa ku rugero rwa mbere n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 302**

Le chef de bureau chargé des opérations et entraînements organise, dirige, coordonne et contrôle toutes les activités du bureau.

**Ingingo ya 302**

Umukuru w'ibiro bijejwe ibikorwa vy'umutekano n'imyimenyerezo aratunganya, akabirongora, akabikurikiranira hafi akongera akabisuzuma.

**Article 303**

Les services sont dirigés par des chefs de services tous nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions, sur proposition de l'inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 303**

Ibisata bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwa n'ingingo y'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

### Section 4. Du bureau logistique

### Agace ka 4. Ibiro bijejwe ivyankenerwa

**Article 304**

Le bureau logistique est dirigé par un chef de bureau assisté par un chef de bureau adjoint, tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions. Ils sont sous l'autorité

**Ingingo ya 304**

Ibiro bijejwe ivyankenerwa bitwarwa n'umukuru w'ibiro yunganiwe n'icegera c'umukuru w'ibiro, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi

directe de l'inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

c'Uburundi. Abo bakuru b'ibiro bakora bisunze amategeko bahabwa ku rugero rwa mbere n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 305**
Le chef de bureau logistique organise, dirige, coordonne et contrôle toutes les activités du bureau.

**Ingingo ya 305**
Umukuru w'ibiro bijejwe ivyankenerwa aratunganya ibikorwa vyose vy'ibiro, akabirongora, akabikurikiranira hafi akongera akabisuzuma.

**Article 306**
Les services sont dirigés par des chefs de services tous nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions sur proposition de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 306**
Ibisata bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwa n'ingingo y'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

## Section 5. Du bureau formation

## Agace ka 5. Ibiro bijejwe inyigisho

**Article 307**
Le bureau formation est dirigé par un chef de bureau placé sous l'autorité directe de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 307**
Ibiro bijejwe ivyerekeye inyigisho bitwarwa n'umukuru w'ibiro akora yisunze amategeko ahabwa ku rugero rwa mbere n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 308**
Le chef de bureau formation organise, dirige, coordonne et contrôle toutes les activités du bureau. Dans l'accomplissement de ses missions, le chef de bureau est assisté par le chef de bureau adjoint. Ils sont tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 308**
Umukuru w'ibiro bijejwe inyigisho aratunganya ibikorwa vyose vy'ibiro, akabirongora, akabikurikiranira hafi akongera akabisuzuma. Mukurangura ivyo ajejwe, umukuru w'ibiro yunganirwa n'icegera ciwe. Bompi bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 309**
Les services sont dirigés par les chefs des services nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions, sur proposition de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi. Ils peuvent être appuyés par autant d'officiers que de besoin.

**Ingingo ya 309**
Ibisata bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwe n'ingingo y'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi. Abo bashobora kwunganirwa n'intwazangabo zose zikenewe.

**Article 310**
L'Ecole des Sous Officiers de Police est placée sous l'autorité directe d'un directeur assisté par un directeur adjoint, tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 310**
Ishure ry'ibisongerezi mu giporisi, rikora ryisunze amategeko rihabwa ku rugero rwa mbere n'umuyobozi yunganiwe n'icegera c'umuyobozi, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bashikirijwe

n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 311**
Sous l'autorité directe du chef de bureau formation, le directeur de l'Ecole des Sous Officiers de Police assure la coordination de toutes les activités de l'école, notamment la formation professionnelle et technique des candidats sous-officiers de police ainsi que la formation en cours d'emploi et le perfectionnement des agents de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 311**
Yisunze amategeko ahabwa ku rugero rwa mbere n'umukuru w'ibiro bijejwe inyigisho, umuyobozi akurikiranira hafi ibikorwa vyose vy'ishure ry'ibisongerezi mu giporisi, harimwo cane cane inyigisho z'akazi n'ubuhinga kubategurwa kuba ibisongerezi mu giporisi, hamwe n'inyigisho nkarishabwenge zo ku kazi n'ugushimangira ubumenyi bw'abaporisi batobato.

**Article 312**
Dans l'accomplissement de ses missions, le directeur de l'Ecole des Sous Officiers de Police est assisté par un conseil de direction dont la composition, les missions et les attributions seront fixées par une décision de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 312**
Mukurangura ivyo ajejwe, umuyobozi w'ishure ry'ibisongerezi mu giporisi yunganirwa n'inama y'ubuyobozi, abagize iyo nama n'ibikorwa vyabo bishirwaho n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 313**
La direction de l'Ecole des Sous Officiers de Police est structurée en services. Les chefs de ces services sont nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions sur proposition de l 'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 313**
Ubuyobozi bw'ishure ry'ibisongerezi mu giporisi butunganijwe mu bisata. Abakuru b'ibisata bagenwa n'ingingo y'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 314**
Les programmes d'enseignement portent sur des cours généraux et techniques. Ces programmes et leur durée sont déterminés par une ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 314**
Urutonde gw'ivyigwa rugizwe n'ivyigwa rusangi hamwe n'ivyigwa vy'ubuhinga. Urwo rutonde n'igihe rumara bitomorwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 315**
Une ordonnance ministérielle détermine les conditions d'admission, l'organisation et le programme de l'enseignement des candidats sous-officiers de police ainsi que le grade porté pendant la durée de la formation.

**Ingingo ya 315**
Itegeko ry'umushikiranganji riratomora ibijanye n'iyinjizwa, uburyo inyigisho zitunganijwe kubisongerezi bishasha mu giporisi hamwe n'ipete ahabwa igihe amara mu nyigisho.

**Article 316**
Les Centres d'Instruction sont placés sous l'autorité directe d'un directeur assisté par un directeur adjoint, tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 316**
Ibigo bijejwe gutanga inyigisho ku baporisi batobato bikora vyisunze amategeko bihabwa ku rugero rwa mbere n'umuyobozi yunganiwe n'icegera c'umuyobozi, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 317**
Sous l'autorité directe du chef de bureau formation, le directeur des Centres d'Instruction assure la coordination de toutes les activités des centres, notamment la formation initiale des agents de la Police Nationale du Burundi ainsi que l'instruction et l'entraînement en cours d'emploi des agents de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 317**
Yisunze amategeko ahabwa ku rugero rwa mbere n'umukuru w'ibiro bijejwe inyigisho, umuyobozi w'ibigo bijejwe gutanga inyigisho ku baporisi batobato akurikiranira hafi ibikorwa vyose vy'ivyo bigo, harimwo cane cane inyigisho z'ibanze kubaporisi batobato, hamwe n'imyimenyerezo n'amahugurwa agirwa bari mu kazi.

**Article 318**
La direction des Centres d'Instruction est structurée en services dont l'organisation et le fonctionnement sont déterminés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 318**
Ubuyobozi bw'ibigo bijejwe gutanga inyigisho ku baporisi batobato butunganijwe mu bisata, ingene biteguye n'ingene bitegurwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi.

**Article 319**
Dans l'accomplissement de ses missions, le directeur des centres est assisté par un conseil de direction dont la composition, les missions et les attributions seront fixées par une décision de l 'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 319**
Mukurangura ivyo ajejwe, umuyobozi w'ibigo bijejwe gutanga inyigisho ku baporisi batobato yunganirwa n'inama y'ubuyobozi, abagize iyo nama n'ibikorwa vyabo bishirwaho n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 320**
Les programmes de formation des candidats agents de la Police Nationale du Burundi et de leur durée sont déterminés par une ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 320**
Urutonde gw'ivyigwa kubategurirwa kuba abaporisi batobato n'ikiringo rumara bitomorwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 321**
Les candidats agents de la Police Nationale du Burundi sont soumis à un régime disciplinaire consigné dans le règlement d'ordre intérieur des centres d'instruction.

**Ingingo ya 321**
Abategurirwa kuba abaporisi batobato mu giporisi c'Uburundi bategekwa kugendera ku ndero n'inyifato yanditse mu mategeko ngenderwako y'ibigo bijejwe gutanga inyigisho.

**Article 322**
Le centre d'instruction est dirigé par un commandant du centre nommé par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions et soumis à l'autorité du directeur des centres d'instruction.

**Ingingo ya 322**
Ikigo gitangirwamwo inyigisho gitwarwa na komanda w'ico kigo agenwe n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi, kandi ahabwa amategeko ku rugero rwa mbere n'umuyobozi w'ibigo bijejwe gutanga inyigisho ku baporisi batobato.

**Article 323**
Une ordonnance conjointe des Ministres ayant la police nationale et les finances dans leurs attributions fixe les honoraires des formateurs et instructeurs ainsi que la bourse des candidats officiers, sous-officiers et agents.

**Ingingo ya 323**
Itegeko risinywe n'abashikiranganji muvyo bajejwe harimwo igiporisi n'ubutunzi rirashiraho agahembo k'abatanga inyigisho n'abahugura, hamwe

n'agafashanyo kagenewe abategurirwa kuba intwazangabo, ibisongerezi, n'abaporisi batobato.

**Article 324**

Le Centre de Formation pour les Opérations de maintien de la Paix est dirigé par un directeur assisté d'un directeur adjoint, tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 324**

Ikigo c'inyigisho zo kubungabunga amahoro, gitwarwa n'umuyobozi yunganiwe n'icegera c'umuyobozi, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 325**

Sous l'autorité directe du chef de bureau formation, le directeur du Centre de Formation pour les Opérations de maintien de la Paix assure la coordination de toutes les activités du centre, notamment la formation et le perfectionnement aux missions de soutien à la paix des policiers et civils candidats au déploiement.

**Ingingo ya 325**

Yisunze amategeko ahabwa ku rugero rwa mbere n'umukuru w'ibiro bijejwe ivyerekeye inyigisho, umuyobozi w'ikigo c'inyigisho zerekeye ibikorwa vy'ukubungabunga amahoro akurikiranira hafi ibikorwa vyose vy'ico kigo, harimwo cane cane inyigisho n'ugushimangira ubumenyi kubaporisi n'abanyagihugu bategurwa mu bikorwa vyo kuja kubungabunga amahoro.

**Article 326**

La direction du Centre de Formation pour les Opérations de maintien de la Paix est structurée en services; les chefs de services sont nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions sur proposition l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 326**

Ubuyobozi bw'ikigo c'inyigisho z'ukubungabunga amahoro butunganijwe mu bisata, abakuru b'ibisata bagenwa n'ingingo y'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 327**

Les programmes d'enseignement portent sur des cours généraux et techniques. Ces programmes et leur durée sont déterminés par une ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 327**

Urutonde gw'ivyigwa rugizwe n'ivyigwa rusangi hamwe n'ivyigwa vy'ubuhinga. Urutonde rw'ivyigwa n'igihe bimara bitomorwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 328**

Les stagiaires du Centre de Formation pour les Opérations de maintien de la Paix sont soumis à un régime disciplinaire consigné dans le règlement d'ordre intérieur du centre.

**Ingingo ya 328**

Abari mu myimenyerezo mu kigo c'inyigisho z'ukubungabunga amahoro bategekwa kugendera ku ndero n'inyifato yanditse mu mategeko ngenderwako y'ico kigo.

### Section 6. Du bureau études et planification stratégique

**Article 329**
Le bureau études et planification stratégique est dirigé par un chef de bureau assisté par un chef de bureau adjoint, tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions. Ils sont sous l'autorité directe de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Article 330**
Le chef de bureau études et planification stratégique organise, dirige, coordonne et contrôle toutes les activités du bureau.

**Article 331**
Les services sont dirigés par des chefs de service tous nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions sur proposition de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

### Section 7. Du bureau informatique

**Article 332**
Le bureau informatique est dirigé par un chef de bureau assisté par un chef de bureau adjoint tous nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Article 333**
Le chef de bureau informatique organise, dirige, coordonne et contrôle toutes les activités du bureau.

**Article 334**
Les services sont dirigés par des chefs de service tous nommés par ordonnance du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions sur proposition de l 'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

### Agace ka 6. Ibiro bijejwe ivyigwa n'ugutegura imigambi ngenangendo

**Ingingo ya 329**
Ibiro bijejwe ivyigwa n'ugutegura imigambi ngenangendo bitwarwa n'umukuru w'ibiro yunganiwe n'icegera c'umukuru w'ibiro, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi. Abo bakuru b'ibiro bakora bisunze amategeko bahabwa ku rugero rwa mbere n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Ingingo ya 330**
Umukuru w'ibiro aratunganya ibikorwa b'ibisata vy'ibiro bijejwe ivyigwa n'ugutegura imigambi ngenangendo, akabirongora, akabikurikiranira hafi akongera akabisuzuma.

**Ingingo ya 331**
Ibisata bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwe n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi, bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

### Igice ca 7. Ibiro vy'ubuhinga bwa none

**Ingingo ya 332**
Ibiro vy'ubuhinga bwa none bitwarwa n'umukuru w'ibiro yunganiwe n'icegera c'umukuru w'ibiro, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Ingingo ya 333**
Umukuru w'ibiro aratunganya ibikorwa vyose vy'ibiro vy'ubuhinga bwa none, akabirongora, akabikurikiranira hafi akongera akabisuzuma.

**Ingingo ya 334**
Ibisata bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwe n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi, bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

### Section 8. Du bureau aumônerie générale

**Article 335**
L'aumônerie générale est dirigée par un aumônier général assisté par un aumônier général adjoint, tous nommés par décret, sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

### Igice ca 8. Ibiro vy'abibutsamana

**Ingingo ya 335**
Ibiro vy'abibutsamana bitwarwa n'umwibutsamana mukuru yunganiwe n'icegera c'umwibutsamana mukuru, bompi bagenwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

## CHAPITRE IV. DES STRUCTURES DECONCENTREES

### Section 1. Du Commissariat Provincial

**Article 336**
Le commissariat provincial est dirigé par un commissaire provincial nommé par décret sur proposition du Ministre ayant la Police nationale dans ses attributions. Il est placé sous l'autorité directe de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

## IGICE CA 4. INZEGO ZIKWIRAGIJWE MU GIHUGU

### Agace ka 1. Komisariya y'igiporisi mu ntara

**Ingingo ya 336**
Komisariya y'igiporisi mu ntara itwarwa na komiseri w'igiporisi mu ntara agenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu ashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi. Akora yisunze amategeko ahabwa ku rugero rwa mbere n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 337**
Le commissaire provincial est assisté de trois sous-commissaires provinciaux à savoir:

1° Le sous-commissaire provincial de la Police de Sécurité Intérieure;

2° Le sous-commissaire provincial de la Police Judiciaire;

3° Le sous-commissaire provincial des migrations.

**Ingingo ya 337**
Komiseri w'igiporisi mu ntara yunganirwa n'abakomiseri batatu bajejwe ubuhinga mu ntara ari bo:

1° Komiseri w'igiporisi mu ntara ajejwe ubuhinga mu vyerekeye umutekano mu gihugu;

2° Komiseri w'igiporisi mu ntara ajejwe ubuhinga mu vyerekeye igiporisi c'inyamiramabi;

3° Komiseri w'igiporisi mu ntara ajejwe ubuhinga mu vyerekeye abinjira n'abasohoka igihugu.

**Article 338**
Les sous-commissaires provinciaux sont nommés par décret sur proposition du Ministre ayant la Police nationale dans ses attributions et sont placés sous l'autorité directe du commissaire provincial.

Ils donnent rapport au Commissaire provincial avec copie aux Commissaires généraux, chacun dans son domaine.

**Ingingo ya 338**
Abakomiseri mu ntara bajejwe ubuhinga bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi kandi bakora bisunze amategeko bahabwa ku rugero rwa mbere na komiseri w'igiporisi mu ntara.

Baratanga raporo kwa Komiseri w'igiporisi mu ntara bagaha n'ikopi abakomiseri bakuru, umwe wese mu

bimwerekeye.

**Article 339**
Le sous-commissaire provincial de la Police de Sécurité Intérieure supplée le commissaire provincial en cas d'empêchement.

**Ingingo ya 339**
Komiseri w'igiporisi mu ntara ajejwe ubuhinga mu vyerekeye umutekano mu gihugu ni we asubirira komiseri w'igiporisi mu ntara mu gihe yafatiriwe.

**Article 340**
L'aumônerie provinciale est dirigée par un aumônier provincial qui dépend hiérarchiquement de l'aumônier général. Il donne rapport à ce dernier avec copie au commissaire provincial.

Il est nommé par décret, sur proposition du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 340**
Ubwibutsamana bwo muntara burongowe n'umwibutsamana muntara akukira umwibutsamana mukuru. Atanga ivyegeranyo kuri uwo avuzwe ubuheruka, agatanga gopi kwa komiseri w'igiporisi muntara.

Agenwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, ashikirijwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi.

**Article 341**
Les services du Commissariat provincial sont dirigés par des chefs de service nommés par ordonnance du Ministre ayant la Police nationale dans ses attributions sur proposition de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 341**
Ibisata vya Komisariya y'Igiporisi mu ntara bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Igiporisi c'Uburundi bashikirijwe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 342**
Le secrétariat du Commissariat provincial est dirigé par un chef secrétariat désigné par le Commissaire provincial.

**Ingingo ya 342**
Ibiro vy'ubunyamabanga bwa Komisariya y'igiporisi mu ntara bitwarwa n'umukuru w'ibiro vy'ubunyamabanga agenwa na Komiseri w'igiporisi mu ntara.

### Section 2. Du commissariat communal

**Article 343**
Le commissariat communal est dirigé par un commissaire communal nommé par décision de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi et placé sous l'autorité directe du Commissaire Provincial.

### Agace ka 2. Komisariya y'igiporisi mw'ikomine

**Ingingo ya 343**
Komisariya y'igiporisi mw'ikomine itwarwa na komiseri w'igiporisi mw'ikomine agenwa n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi kandi agakora yisunze amategeko ahabwa ku rugero rwa mbere na komiseri w'igiporisi mu ntara.

**Article 344**
Le commissaire communal est assisté de trois sous-commissaires communaux:

1° Le sous-commissaire communal de la Police de

**Ingingo ya 344**
Komiseri w'igiporisi mw'ikomine yunganirwa n'abakomiseri batatu bajejwe ubuhinga mw'ikomine ari bo:

1° Komiseri w'igiporisi mw'ikomine ajejwe ubuhinga mu

Sécurité Intérieure;

2° Le sous-commissaire communal de la Police Judiciaire;

3° Le sous-commissaire communal des migrations.

Les sous-commissaires communaux sont nommés par décision de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi et sont sous l'autorité directe du commissaire communal.

Ils donnent rapport aux commissaires communaux, avec copie aux sous-commissaires provinciaux, chacun dans son domaine.

vyerekeye umutekano mu gihugu;

2° Komiseri w'igiporisi mw'ikomine ajejwe ubuhinga mu vyerekeye igiporisi c'inyamiramabi;

3° Komiseri w'igiporisi mw'ikomine ajejwe ubuhinga mu vyerekeye abinjira n'abasohoka igihugu.

Abakomiseri b'igiporisi mu makomine bajejwe ubuhinga bagenwa n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'igiporisi c'Ubundi kandi bagakora bisunze amategeko bahabwa ku rugero rwa mbere na komiseri w'igiporisi mw'ikomine.

Batanga raporo ku bakomiseri b'igiporisi mu makomine bagaha n'ikopi abakomiseri b'igiporisi mu ntara bajejwe ubuhinga, umwe wese mu bimwerekeye.

**Article 345**

En cas d'absence ou d'empêchement du Commissaire communal, le sous-commissaire communal de la Police de Sécurité Intérieure assure la coordination des activités du Commissariat communal de Police.

**Ingingo ya 345**

Mu gihe Komiseri w'igiporisi mw'ikomine atari ho ari canke yafatiriwe, komiseri w'igiporisi mw'ikomine ajejwe ubuhinga mu vyerekeye umutekano mu gihugu aca akurikiranira hafi imirimo ya Komisariya y'ikomine mu giporisi.

**Article 346**

Les services du Commissariat Communal sont dirigés par des chefs de service nommés par décision de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 346**

Ibisata vya Komisariya y'igiporisi mw'ikomine bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwa n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 347**

Le secrétariat du Commissariat Communal est tenu par le chef secrétariat désigné par le Commissaire communal.

**Ingingo ya 347**

Ibiro vy'ubunyamabanga bwa Komisariya y'igiporisi mw'ikomine bitwarwa n'umukuru w'ibiro vy'ubunyamabanga agenwa na Komiseri w'igiporisi mw'ikomine.

**Section 4. Du Poste de Police**

**Agace ka 4. Ibiro vy'igiporisi mw'izone**

**Article 348**

Le Poste de Police est dirigé par un chef de poste nommé par décision de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 348**

Ibiro vy'igiporisi mw'izone bitwarwa n'umukuru w'ibiro agenwa n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 349**

Les services du Poste de Police sont dirigés par des chefs de service nommés par décision de l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 349**

Ibisata vy'ibiro vy'igiporisi mw'izone bitwarwa n'abakuru b'ibisata bagenwa n'ingingo y'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 350**
Le secrétariat du poste de police est tenu par un chef secrétariat désigné par le chef de poste.

**Ingingo ya 350**
Ibiro vy'ubunyamabanga bw'ibiro vy'igiporisi mw'izone bitwarwa n'umukuru w'ibiro vy'ubunyamabanga agenwa n'umukuru w'ibiro vy'igiporisi mw'izone.

## TITRE VI. DU RECRUTEMENT, DE LA FORMATION, DE LA CARRIERE ET DES CONDITIONS DE SERVICE

## IKIGABANE CA 6. IYINJIZWA, INYIGISHO, UMWUGA N'IVYO AKAZI GASABA

### CHAPITRE I. DU RECRUTEMENT

### IGICE CA 1. IYINJIZWA MUKAZI

**Article 351**
La Police Nationale du Burundi est ouverte à tous les Burundais remplissant les conditions de recrutement telles que déterminées par les lois portant statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi et les textes réglementaires y afférents en veillant au respect des équilibres prévus par la Constitution.

**Ingingo ya 351**
Igiporisi c'Uburundi kiruguruRiye abarundi bose bakwije ibisabwa n'amabwirizwa agenga abakozi b'Iporisi b'Uburundi n'amategeko bijanye, hakisungwa ko amoko yose aserukirwa nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi.

**Article 352**
Les effectifs de la Police Nationale du Burundi sont déterminés par le Gouvernement selon les besoins du pays en matière de sécurité.

**Ingingo ya 352**
Ibitigiri bigize Igiporisi cUburundi bitegekanywa na Reta hisunzwe ivyo igihugu gikeneye mubijanye n'umutekeno.

**Article 353**
Tous les recrutements à la Police Nationale du Burundi se font de manière transparente, à titre individuel, sur base du volontariat, de l'aptitude physique et intellectuelle, des qualifications morales et professionnelles des candidats, en veillant à assurer les équilibres constitutionnels.

**Ingingo ya 353**
Iyinjizwa mu Giporisi c'Uburundi rikorwa kumugaragaro kumurundi wese avyifuza afise amagara meza, aciye ubwenge, afise imigenzo n'inyifato nziza hubahirijwe n'ubwoko nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa shingiro ry'Uburundi.

**Article 354**
Les critères de recrutement spécifiques à chaque composante de la Police Nationale du Burundi sont déterminés par les statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi ainsi que les autres textes législatifs et réglementaires y relatifs. En cas de nécessité, le Gouvernement du Burundi met, par contrat, à la disposition de la Police Nationale du Burundi, des experts civils.

**Ingingo ya 354**
Ingero z'iyinjizwa kumice yose igize Igiporisi c'Uburundi itegekanijwe n'amategeko agenga abaporisi baco hamwe n'ayandi mabwirizwa bijanye. Mu gihe cose bikenewe, Reta iraheReza Igiporisi c'Uburundi abahinga atari abaporisi habanje kuba amasezerano nabo.

## CHAPITRE II. DE LA FORMATION

### Article 355

Les membres de la Police Nationale du Burundi reçoivent une formation académique, professionnelle et technique appropriée à leurs missions. Ils reçoivent également une formation morale et civique qui porte notamment sur la culture de paix, le comportement dans un système démocratique pluraliste, les droits de la personne humaine, le droit humanitaire et d'autres formations nécessaires.

### Article 356

Les candidats officiers de la Police Nationale du Burundi reçoivent une formation académique conformément à la loi régissant l'enseignement supérieur.

### Article 357

Une formation de réinsertion est organisée pour préparer les policiers à une reconversion socio professionnelle.

### Article 358

Les candidats admis à la Police Nationale du Burundi reçoivent une formation dans des structures de formation nationales et/ou étrangères agrées et correspondant à leurs catégories respectives selon les besoins du ministère ayant la police nationale dans ses attributions.

### Article 359

Les candidats officiers, sous-officiers et agents de police sont formés respectivement à l'Institut Supérieur de Police, à l'Ecole des Sous-Officiers de Police et dans les Centres d'Instruction.

## IGICE CA 2. IVYEREKEYE INYIGISHO

### Ingingo ya 355

Abagize Igiporisi c'Uburundi bararonswa inyigisho za kaminuza, iz'umwuga n'iz'ubuhinga bihuye n'ivyo bashinzwe. Bararonswa kandi inyigisho zijanye n'imico myiza n'ugukunda igihugu, harimwo n'inyigisho zijanye n'ingendo y'amahoro, ingeso n'inyifato zishingiye ku ntwaro rusangi kuri bose, agateka ka zina muntu, amategeko mpuzamakungu agenga ingwano hamwe n'izindi nyigisho zikenewe.

### Ingingo ya 356

Abategururirwa kuba intwazangabo mu giporisi c'Uburundi baronswa inyigisho za kaminuza nk'uko bitegekanijwe n'itegeko rigenga inyigisho za kaminuza.

### Ingingo ya 357

Inyigisho zijanye n'ukwitegurira gusubira mu buzima busanzwe ziraterurwa kugira zifashe abaporisi kwinjira neza mu buzima bw'akazi n'imibano bisanzwe.

### Ingingo ya 358

Abemerewe kwinjira mu giporisi c'Uburundi bararonswa inyigisho mu bigo vy'inyigisho vyo mu gihugu canke vyo mu mahanga vyemewe kandi bihuye n'imigwi barimwo, hisunzwe ivyo ubushikiranganji muvyo bujejwe harimwo Igiporisi bukeneye.

### Ingingo ya 359

Abategurirwa kwinjira muntwazangabo, mubisongerezi no mubaporisi batobato baronswa inyigisho, uku bakurikirana nyene, mw'Ishure Kaminuza ry'Igiporisi, mw'Ishure ry'ibisongerezi mu giporisi hamwe no mubigo bitangirwamwo inyigisho.kubaporisi batobato.

## CHAPITRE III. DE LA CARRIERE ET DES CONDITIONS DE SERVICE

### Article 360

La carrière au sein de la Police Nationale du Burundi débute le jour du recrutement dans une des catégories de la Police Nationale du Burundi. Elle se termine par la retraite ou par toute autre cause de cessation définitive des fonctions au sein de la Police Nationale du Burundi.

## IGICE CA 3. IVYEREKEYE UMWUGA N'IVYO AKAZI GASABA

### Ingingo ya 360

Umwuga mu giporisi c'Uburundi utangura kumusi w'iyinjizwa mu mugwi muyigize giporisi. Uwo mwuga urangizwa n'ugukukuruka canke iyindi mvo iyariyo yose ituma amabanga arangira burundu mu giporisi c'Uburundi.

**Article 361**
Tout au long de sa carrière, un membre de la Police nationale du Burundi bénéficie d'un traitement mensuel et autres avantages prévus par son statut.

Il a droit également à la notation et à l'avancement de grade.

**Ingingo ya 361**
Mu kiringo cose c'umwuga wiwe, uwuri mu Giporisi c'Uburundi aronka umushahara w'ukwezi, n'utundiu turusho dutegekanijwe n'itegeko rimugenga.

Arafise kandi uburenganzira bwo guhabwa amanota mu kazi, kuduzwa amapete n'umushahara.

**Article 362**
Un membre de la Police Nationale du Burundi peut être mis en disponibilité ou détaché auprès d'autres administrations de l'Etat conformément à la législation en vigueur. Sa carrière reste gérée au sein de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 362**
Umukozi w'Igiporisi c'Uburundi arashobora guhagarikwa mu kazi avyisabiye canke agashigwa muyandi mabanga muyindi mirimo ya Reta nk'uko amategeko akurikizwa abitegekanya. Umwuga wiwe ubandanya utunganywa n'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 363**
Le membre de la Police Nationale du Burundi est assujetti à des devoirs et des obligations. Il doit notamment:

1° servir la nation burundaise avec fidélité et dévouement et veiller en toutes circonstances aux intérêts de la République du Burundi;

2° accomplir personnellement et consciencieusement les tâches lui assignées, exécuter les ordres de ses supérieurs sauf ceux qui seraient incompatibles avec l'honneur du service, et collaborer dans la mesure où l'exige l'intérêt du service;

3° faire preuve de dignité et de courtoisie tant envers ses supérieurs, ses égaux, ses subalternes qu'envers le public;

4° éviter, tant au service que dans la vie privée, tout ce qui pourrait ébranler la confiance du public ou compromettre l'honneur et la dignité dans sa fonction;

5° Connaître la loi, les directives et mesures concernant le respect de ses obligations, leur mise en application et les faire respecter;

6° initier, dans les limites de sa compétence, les répressions des abus, des négligences ou des

**Ingingo ya 363**
Umukozi w'iporisi c'Uburundi arafise ivyo ategerejwe n'ivyo arekuriwe. Ategerejwe nk'ibi bikurikira:

1° gukorera Igihugu c'Uburundi mukutagihemukira, kucitangira, no kwama na ntaryo yitwararika inyungu za Repuburika y'Uburundi;

2° gukora we nyene ubwiwe ibikorwa ajejwe akabirangurana umutima runtu, gukurikiza amategeko ahabwa n'abamukurira mukazi kiretse ayotukisha akazi hamwe no gufashanya n'abandi igihe bikenewe kuneza y'akazi;

3° kugendera ubuntu n'urupfasoni, haba imbere y'abamusumba, abo bangana, abo asumba n'imbere y'abandi bantu bose;

4° kwirinda, haba mu kazi canke mu buzima bw'iwe, ico cose cotuma atizegwa n'abanyagihugu canke comutesha agateka, icubahiro n'ubuntu mu mabanga ajejwe;

5° kumenya amategeko, intumbero n'ingingo zijanye no kwubahiriza ivyo ajejwe, kumenya ingene bishigwa mungiro n'ukuvyubahiriza;

6° gufata iyambere, yisunze ivyo afitiye ububasha, mu guhasha abo bose barenga akarimbi, abafata

infractions aux lois et règlements qu'il serait amené à constater dans et en dehors de l'exercice de ses fonctions;

7° respecter et faire respecter la Constitution, les lois et règlements;

8° faire preuve de discrétion et d'abnégation au service;

9° rechercher, exploiter et transmettre tous les renseignements d'ordre politique, social et économique nécessaires à l'information et à l'action du Gouvernement;

10° veiller dans la limite de ses compétences à la sauvegarde de la sûreté tant intérieure qu'extérieure de l'Etat;

11° prendre soins des installations et du matériel appartenant à l'Etat ou - placés sous sa garde et protection;

12° prêter main-forte aux autorités chargées du maintien de l'ordre;

13° porter secours à toute personne en danger;

14° veiller, dans la limite de ses compétences, au maintien de l'ordre;

15° veiller à ce que son conjoint n'exerce une activité qui serait de nature à nuire à l'accomplissement de sa fonction.

ibintu minenerwe canke abarenga amabwirizwa n'amategeko umuporisi yaba ari mu kazi canke atakiri ku kazi;

7° kwubaha Ibwirizwa Shingiro, amabwirizwa n'amategeko no gutuma vyubahirizwa;

8° kudatwarira hejuru n'ugukora atiziganya mu kazi;

9° kurondera, kwihweza no kurungikira ababijejwe inkuru zose zerekeye poritike, imibano n'ubutunzi Reta ikeneye kumenya no gukoresha;

10° kubungabunga umutekano mu gihugu n'inyuma y'imbibe z'igihugu, muvyo afitiye ububasha;

11° gufata neza ivyubatwe hamwe n'ibikoresho vya Reta canke ivyo ajejwe gucungera n'ugukingira;

12° gufasha abarongozi b'inzego zijejwe kubungabunga ituze mugihugu;

13° gutabara umuntu wese igihe umutekano wiwe ubangamiwe;

14° kubungabunga umutekano, kugeza aho ubushobozi bwiwe bugarukira;

15° kwitwararika ko uwo bubakanye adakora igikorwa gishobora kubangamira irangurwa ry'amabanga yiwe.

**Article 364**

Il est interdit au membre de la Police Nationale du Burundi de:

1° se livrer à des actes contraires aux lois et règlements et aux activités portant atteinte à la sécurité du pays ou à l'intégrité du territoire;

2° participer à des mouvements qui se livreraient à de telles activités;

3° Se mettre en grève ou prendre part à des actions

**Ingingo ya 364**

Birabujijwe ko uwuri mu Giporisi c'Uburundi ko:

1° gukora ibikorwa biteye kubiri n'amabwirizwa n'amategeko hamwe n'ibikorwa bihungabanya umutekano w'igihugu canke imbibe zaco;

2° kuja mu migwi ikora ibikorwa bisa n'ivyo;

3° kugira yegereyegere cake kuja mu bikorwa bifise

visant à provoquer une grève;

4° demander ou accepter directement ou indirectement, dans l'exercice de ses fonctions ou en dehors, mais en raison de celles-ci, des avantages quelconques;

5° dévoiler le secret professionnel pendant sa carrière et même après celle-ci;

6° exercer une activité incompatible avec sa fonction;

7° accueillir ou solliciter des recommandations tendant à obtenir l'application d'un traitement de faveur;

8° faire valoir son statut pour ne pas payer ses dettes ou en demander l'exonération;

9° s'organiser en syndicat;

10° soumettre les gens à la torture et autres traitements cruels, inhumains et dégradants.

**Article 365**

Dans l'exercice de leurs fonctions, les membres de la Police Nationale du Burundi ne peuvent:

1° porter préjudice aux intérêts d'un parti politique qui aux termes de la Constitution est légal;

2° manifester leurs préférences politiques;

3° avantager de manière partisane les intérêts d'un parti politique;

4° être membre d'un parti politique ou d'une association à caractère politique;

5° participer à des activités ou manifestations à caractère politique.

**Article 366**

Tout manquement du membre de la Police Nationale du Burundi à ses devoirs et obligations tel qu'il ressort de la présente loi, dans l'exercice de ses fonctions ou en dehors de celles-ci, engage sa responsabilité pénale,

intumbero y'ugutera yegereyegere;

4° Gusaba canke kwakira ubwiwe canke abicishije ku bandi uturusho utwo ari two twose mu gihe ariko ararangura amabanga ajejwe canke atari ku kazi, ariko yitwaje ayo mabanga;

5° kumena amabanga y'akazi mu gihe akiri mu kazi n'igihe yamaze kukavamwo;

6° gukora akazi katabangikanywa n'akazi ajejwe;

7° Kwemera canke gusaba ivyotuma umuntu yoroherezwa biciye kubiri n'amategeko;

8° kwitwaza ico ari kugira ntiyishure imyenda canke ngo asabe kuyiheberwa;

9° Kuja mu mashirahamwe aharanira inyungu z'abakozi;

10° gusinzikaza ubuzima bw'abantu no kubafata bunyamaswa.

**Ingingo ya 365**

Mu gihe bakora akazi kabo, abaporisi b'Igihugu c'Uburundi ntibashobora:

1° kubera intambamyi inyungu z'umugambwe wemewe n'amategeko nk'uko biri mw'Ibwirizwa Shingiro;

2° kugaragaza aho ahengamiye mu vya politike;

3° kugira akamwana wa mama mu gushira imbere inyungu z'umugambwe;

4° kuba umunywanyi w'umugambwe canke w'ishirahamwe rikora ibijanye na politike;

5° kuja mu bikorwa canke mu myiyerekano ifise imvo za politike.

**Ingingo ya 366**

Umuporisi wese adakoze ivyo ajejwe canke ivyo ategerejwe, nk'uko bitegekanijwe n'iri bwirizwa, ariko ararangura amabanga y'akazi canke atari ku kazi, bituma ahanwa n'amategeko mpanavyaha, ayo ku kazi n'ayo

disciplinaire et civile.

**Article 367**
Les modalités pratiques de la gestion de la carrière d'un membre de la Police Nationale du Burundi en ce qui est notamment des droits, des devoirs et obligations, des traitements, des primes, des indemnités, des grades et de l'avancement, de la notation, des procédures, des régimes disciplinaires, de la fin de carrière et de la sécurité sociale, sont définis par les statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi.

## TITRE VII. DES DISPOSITIONS PARTICULIERES ET FINALES

**Article 368**
Dans le cadre de la lutte contre la criminalité transnationale, la Police Nationale du Burundi crée le cas échéant des partenariats avec les autres corps de police et participe dans des exercices et opérations conjoints. La Police Nationale du Burundi participe également le cas échéant dans des missions de maintien de la paix.

**Article 369**
Est exclu d'office de la Police Nationale du Burundi tout membre reconnu coupable d'actes de génocide, de crimes de guerre et de crimes contre l'humanité, des atteintes à la sûreté de l'Etat et atteintes aux droits de la personne humaine.

**Article 370**
Tout contrevenant aux dispositions de la présente loi organique est sanctionné conformément aux lois et règlements en vigueur.

mukibano.

**Ingingo ya 367**
Ingene umuporisi atunganirizwa mu kazi mubijanye n'ivyo afitiye uburenganzira, ivyo ategerejwe, ivyerekeye imishahara, udushirukabute, uturusho, amapete n'ingene aja araduzwa apete, ingene amanota atangwa, ingene ibihano bitangwa, ivyerekeye amategeko agenga inyifato mu kazi, ivyerekeye ukurangiza akazi n'ugutegekaniriza kazoza, vyose bitegekanywa n'amategeko agenga abakozi b'Igiporisi c'Uburundi.

## IKIGABANE CA 7. INGINGO ZIDASANZWE N'IZISOZERA

**Ingingo ya 368**
Mu ntumbero y'ukurwanya ubukozi bw'ikibi ndengambibe, Igiporisi c'Uburundi kirashobora kugiranira amasezerano yo gufashanya n'izindi nzego z'igiporisi zo mu bindi bihugu no kuja mu myimenyerezo n'ibikorwa vyerekeye umutekano bikorerwa hamwe. Igiporisi c'Uburundi gishobora kandi kwifadikanya mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro igihe bibaye ngombwa.

**Ingingo ya 369**
Umukozi w'Igiporisi c'Uburundi wese aragikurwamwo burundu yagirijwe ko yakoze ivyaha vya jenoside, ivyaha vyo mu ntambara, ivyaha vyo kwica abantu benshi, ibihungabanya umutekano w'igihugu canke bihonyanga agateka ka zina muntu.

**Ingingo ya 370**
Uwukora ibinyuranye n'iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro arahanwa hisunzwe amategeko n'amabwirizwa ari mu ngiro.

**Article 371**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi organique sont abrogées.

**Article 372**
La présente loi organique entre en vigueur le jour de sa promulgation.

Fait à Gitega, le ..... / ...../2025

Evariste NDAYISHIMIYE

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,

LE MINISTRE DE LA JUSTICE, DES DROITS DE LA PERSONNE HUMAINE ET DU GENRE

Arthémon KATIHABWA

**Ingingo ya 371**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa shingiro zirahagaritswe.

**Ingingo ya 372**
Iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

Bigiriwe i Gitega, ku wa..../....../2025

Evariste NDAYISHIMIYE

KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,

BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,

UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE, AGATEKA KA ZINA MUNTU N'ITERAMBERE RIDAKUMIRA

Arthémon KATIHABWA